Igenekerezo: 20 Ntwarane 2020

Bivuye : kumushikirangaji, George Daley

Imvo: kugara amashure kubera ikiza ca COVID 19

Bavyeyi,

Amashure ya K-12 ya New Brunswick azugarwa gushika igihe muzobimenyesherezwa. Nkuko twavyumvise kwa Dr. Jennifer Russell, Umuyobozi mukuru ajejwe ubuvuzi, “COVID-19 n’ ikiza kandi New Brunswick ntikingiwe. Iyi ngingo yo kugara izosuzumwa mu ndwi ya mbere ya Ndamukiza biciye ku bakozi bajejwe amagara y’ abantu.

Abayobozi hirya no hino mu mashure bakoze n’umwete mu gukingira umutekano wabanyeshure n’abakozi no kwitwararika abana bakiri bato. Ndabakengurukiye .

Turabizi abavyeyi n’abanyeshure bafise ibibazo vyinshi bijanye no kubandanya kwiga n’ingaruka zo guheza. Mu ndwi zibiri zirimbere, igisata ca anglophone na francophone ya EECD, bifatanije n’ishure, uturere, n’amashirahamwe yabakozi, bazokurikirana uburyo bwo kwiga kubanyeshure n’inyishu kubibazo nyamukuru.

Abavyeyi nabanyeshure ntibagomba kwiyumvira kubijanye no kwigira muhira kugeza muri Ndamukiza. Muri iyi ndwi iza, turasaba abavyeyi nabanyeshure kwitwararika cane kubuzima namagara yabo.

Bavyeyi turabasaba kuba akarorero keza I muhira mukurikiza neza amabwiriza avuye mubajejwe amagara y’abantu. Twese dufise uruhare mugufata icemezo ciza .